Amafoto ushira kuri internet ahishura iki ku bikwerekeye?

Niwipime mu gukora iyi myimenyerezo.

UWA 1

Uri umukoresha w'ishirahamwe rikomeye, ukaba ushaka guha akazi urwaruka rugeze mu bigero. Kubera ko abo uzoha akazi bazoba baserukira wewe n'ishirahamwe ryawe, wipfuza ko boba ari abantu bigenza neza.

Ubu na ho, dufate ko umwe mu bagenzi bawe bashika aje kugusaba akazi. Niwandike aho munsi izina ry'umugenzi wawe uzi neza ubona ko woha ako kazi.

Izina: _____



Uwo muntu yoba azotuma ishirahamwe ryanje ribonwa neza canke nabi?

_____

_____

Nisunze ivyo mbonye, noba nomuha akazi?

_____

_____

_____

www.jw.org © 2017 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

UWA 2

Ugiye gukora ikibazo c'akazi. Umuntu azokubera umukoresha ni umukuru w'ishirahamwe rikomeye. Yipfuza guha akazi urwaruka rugeze mu bigero. Kubera ko abo azoha akazi bazoba bamuserukira we n'ishirahamwe ryiwe, yipfuza ko boba ari abantu bigenza neza.

Nimba ufise ikibanza co kuri internet ushirako amafoto, genda ugisuzume. Uvugishije ukuri kwose, niwandike aho munsi ivyo uwo mukoresha wawe yokwiyumvirako aravye amafoto ushirako n'amajambo ayaherekeza wandika.

Amafoto arashobora gutuma abantu babura ico bafata n'ico bareka ku bikwerekeye. Nk'akarorero, uwo muhungu ari kw'ifoto yo hejuru ashobora kubonwa mu buryo bubiri.

A. Ni intwari

B. Arashira ubuzima mu kaga

Kw'ifoto imwimwe yose, niwandike uburyo bubiri womudondoramwo.



A. _____

B. _____

A. _____

B. _____

www.jw.org © 2017 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania